VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH

# Gupima amazi meza

## Igikoresho QA - ibinyabuzima bihindagurika birimwo kororine

**Icitonderwa:** Iki gikoresho kirimwo aside hydrochloric (HCl). Aside Hydrochloric ni mbi cane, usabwe kuyitondera cane. Mu gihe aside hydrochloric igiye ku mubiri wawe, yihanagure ukoresheje amazi menshi. Dusaba kwambara amarori meza hamwe n'ibirato vy'intoke mu gihe uriko wegeranya ivyo gupima.

## 1. Ico uzokenera

**Muri kino gikoresho:**

- Ifishi y'amakuru y'amazi yo gupima wegeranije (Chem 202)
- Uducupa dutatu tubonerana (turimwo aside hydrocholoric, kubw'ivyo ntucurike canke ngo uhindukize utwo ducupa)
- Agacupa kanditseko "TRIP BLANK". Ntukugurure. Iki gikoresho gitegerezwa gusubizwa inyuma kirimwo ivyo gupimirako.
- Bikanye/imeyiri hamwe n'udupake tw'ibarafu. **Suzuma neza ko udupake tw'ibarafu dukanyishije imbere yo gupima.**

**Ntabwo ari muri iki gikoresho, ariko kirakenewe kugira gipimwe:**

- Amasheheti y'intoke hamwe n'ivyo kwambara bikingira amaso

## 2. Tegura

- Tegekanya gufata ico gupimirako mu gitondo mu kibanza ugishiramwo.
- Kanyisha udupake tw'ibarafu imbere yo gupima amazi yawe.
- **Nimba iriba ryawe canke isoko riheruka gushirwamwo umuti wica umucafu,** sohora canke wugurure amazi gushika akamoto ka kororine gaheze hanyuma urindire iyindi minsi ibiri imbere yo gupima. Igipimo cawe ntigishobora gupimwa nimba kororine zabonetsemwo.
- **Karaba iminwe** mu mazi meza. **Ntu** pompe umwuka canke ngo ukore ku bintu vy'ubumara ku munsi wo gupima amazi yawe. **Ntu** koreshe umuti imicafu imbere yo kwegeranya ico gupimirako. **Iki gipimo kirahamabaye cane ku bintu vy'ubumara.**
- Ambara amarori akingira amaso n'amasheheti y'intoke.
- Ja kw'isoko ry'amazi meza ugomba gupima hanyuma ukure akayungiro kw'ibombo ryawe, nimba hari akahari. Amabombo menshi arafise utuyungiro kw'isohokero, ushobora kugakurako mu kuzungurutsa impera y'ibombo.
- Ugurura amazi akanye mu kiringo c'iminota 4 -5, gabanya umuvuduko w'amazi kugera kuri (santimetero1/8) kugira ugabanye uguseseka kw'amazi n'urufuro.
- **Ntu** kore imbere mu gafundikizo canke mw'icupa ry'amazi yo gupimwa.

## 3. Egeranya

- Tegekanya gufata ico gupimirako mu gitondo mu kibanza ugishiramwo.
- Kurako agafundikizo hanyuma wuzuze bukebuke agacupa. **Nti** wemere ko ahari ikindi kintu gikora imbere mu gafuniko canke mu gacupa. **Nti** wuzuze cane canke ngo wugunyuze agacupa kubera ko ibi bituma agafu gakingira ivyo gupimirako kavako.

# Gupima amazi meza

## Igikoresho QA - ibinyabuzima bihindagurika birimwo kororine

- Ongeramwo amazi gushika hejuru y'akarongo k'agacupa (raba ifoto). Ibi bituma hataba udufuko tw'impwemu. Kubita bukebuke ku mufundikizo w'agacupa kugirango ukuremwo impwemu zose. **Impwemu zizotuma igipimo cawe kidapimwa.**
- Kurako agafundikizo neza.
- Subiramwo intambwe zo kwegeranya ku ducupa tubiri dusigaye.
- Suzuma impwemu mu guhindukiza uducupa no mu gukupita ku mufundikizo. Suzuma neza ucishije munsi y'agacupa. Nimba ubonye urufuro, ugurura agacupa hanyuma wongeremwo utuma dukeya tw'amazi ku buryo urugero rwayo rushika hejuru y'akarongo ko ku gacupa hanyuma wugare neza agafundikizo.



  - **Nimba urufuro ruboneka igihe igipimo cakiriwe mu nzu yo gupimiramwo, igipimo ntigishobora gupimwa.**
  - **Ntukure ibiri mu gacupa kandi ntukuzuze cane.** Ugukingirwa kuzoba gutakaye kandi igipimo cawe ntikizopimwa neza.
- Uzuza ifishi y'amakuru yo kwegeranya ibipimo vy'amazi, harimwo igenekerezo n'umwanya wafatiyeko amazi y'igipimo, izina ryawe, aho uba na aderesi ya imeyiri. **Igipimo cawe ntigishobora gukorwa hatabonetse aya makuru.**
- Nimba ukoresheje umuti wose w'amazi mu mazi yawe, wusigure kw'ifishi (akarorero; kworosha amazi).
- Shira ibimenyetso vy'igipimo ku ducupa kugira bishobore guhura neza na neza n'amafishi yavyo (akarorero: John Smith, ibesani yo mu gikoni).

## 4. Garuka

- Shira udupaki dukanyishije n'uducupa turimwo ibipimo vy'amazi vyugaye mu gasandugu katanzwe.
- Shira mw'isandugu ifishe wujuje y'amakuru y'ibipimo vy'amazi wegeranije. Dusaba ko ushira ifishi imbere mu mufuko wa parasitike wugaye kugira ntibitote.
- Jana igipimo cawe ku gisata c'amagara y'abantu kijejwe gupima indwara mu masaha 48 mu:
  - Kukizana mu nzu yo gupima indwara kuri 359 South Park Drive, Colchester, Vermont (kuwa mbere gushika kuwa gatanu, isaha 1 n'iminota 45 zo mu gitondo gushika isaha 10 na 30 z'umuhingamo.)
  - Kubijana ku biro vy'akarere vy'amagara y'abantu **imbere** y'uko abajejwe kubitora baza babitwara: Raba urupapuro ruriko aderese hamwe n'amasaha yo kubitora. Ibipimo vyemewe guva ku wambere gushika ku wakane.
  - Birungike mu mwanya muto uciye kuri FedEx canke UPS kuri 359 South Park Drive, Colchester, Vermont, 05446 (kuwa mbere gushika kuwa kane. **Nturungike kuwa gatanu canke kuwa gatandatu, ibipimo vyawe ntibizoshika ku gihe kugira bipimwe ku nzu yo gupimiramwo.**

Inyishu z'igipimo zizorungikwa nko mu minsi 7 y'akazi inyuma y'iyakirwa ry'amazi y'igipimo.

Ku yandi makuru, no kuraba amashusho y'ukuntu wopima amazi meza, ja kuri healthvermont.gov/water.